N° 15 - Mukakaro 2017

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

Gisohoka rimwe mu kwezi

INAMA NSHINGAMATEKA

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yasozereye ibikorwa vy'abanyeshure bari mu buruhuko mu ntara ya Bujumbura.






Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abavuka komine ba Mpanda mu guhimbaza umusi mukuru w'amakomine wo muri 2017

Soma kurupapuro rwa 7



Umugambi w'abasuwisi ugiye gufasha Inama Nshingamateka

Soma kurupapuro rwa 8



Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye i birori vyo guhimbaza umunsi wahariwe amakomine wo muri 2017, muri komine Butezi.

Soma kurupapuro rwa 15

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020





**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**

**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse TURIMUMUGABO
Muyinga -Hutu-CNDD-FDD



Hon. Spéciose CIMPAYE
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Angèle CIZA
Kirundo- Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Claver COYITUNGIYE
Karusi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Fleurette DUKUNDANE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Léocadie GAFURERO
Bubanza-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Séraphine GAKOBWA
Makamba - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Odette HABONIMANA
Rumonge - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Léopold HAKIZIMANA
Kayanza - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Pascal HAKIZIMANA
Muyinga-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
Rutana - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Vénant HATUNGIMANA
Kayanza-Hutu CNDD-FDD



Hon. Ferdinand HAVYARIMANA
Gitega - Tutsi-Mizero y'Abarundi



Hon. Juvénal HAVYARIMANA
Bubanza-Hutu CNDD-FDD



Hon. Mireille INABIGENDERA
Karusi - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Caritas IRAKOZE
Makamba - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Lydia IRAKOZE
Mairie- Tutsi



Hon. Joséphine IRAMBONA
Karusi - Hutu CNDD-FDD



Hon. Georges KABANGO
Karusi - Hutu CNDD-FDD



Hon. Ange Denise KAMERE
Muyinga-Hutu CNDD-FDD



Hon. Denis KARERA
Gitega-HUTU CNDD-FDD



Hon. Amédée RUCARAGI
Gitega-HUTU- CNDD-FDD



Hon. Uziel KUBWIMANA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD



Hon. J. Claude KWIZERA
Mwaro -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Pamphile MALAYIKA
Muyinga- Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Pascasie MANIRAKIZA
Ngozi-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Térence MANIRAMBONA
Gitega - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Sauda MBONEKO
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Noé MBONIGABA
Ruyi[illegible]Mizero



Hon. François MBONIHANKUYE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adolphe MBONIMPA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gilbert MBONINYIBUKA
Makamba-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Amedée MISAGO
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. François MPITABAVUMA
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Xavière MUHIMPUNDU
Karusi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Jean Bosco MUHUNGU
Rutana - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Léonidas MUKESHIMANA
Rumonge-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Euphrasie MUTEZINKA
Kirundo-Tutsi
Mizero y'Abarundi



Hon. Lazare MVUYEKURE
Gitega-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Persille MWIDOGO
Ngozi-Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Claude NAHAYO
Ngozi-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Immaculée NAHAYO
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Gélase NDABIRABE
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Zénon NDARUVUKANYE
Bujumbura - HUTU
CNDD-FDD



Hon. Canesius NDAYIMANISHA
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Juvenal NDAYIRAGIJE
Rutana - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Bernard NDAYISENGA
Mairie - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NDAYISHIMIYE
Bururi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. André NDAYIZAMBA
Bururi-Tutsi
UPRONA



Hon. Gloriose NDAYIZEYE
Gitega- Hutu
CNDD-FDD



Hon. Angele NDIHOKUBWAYO
Bururi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. P.Célestin NDIKUMANA
Bujumbura-Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Gilbert NDUWAYO
Makamba-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Dévote NDUWIMANA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Déogratias NDUWIMANA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rénovat NDUWUMWAMI
Makamba - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Anglebert NGENDABANKA
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Egide NGERAGEZE
Ruyigi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ladislas NINDEREYE
Muramvya - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Gloriose NIMENYA
Rumonge-Tutsi
UPRONA



Hon. Godelieve NININAHAZWE
Mwaro - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Felix NIRAGIRA
Ngozi- Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Justine NIYONGABO
Cankuzo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Lewis NIYONGABO
Mairie - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gloriose NIYONSENGA
Kirundo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Constantin NIYONZIMA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Salvator NIYUKURI
Rutana-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Emmanuel NKUNZIMANA
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Claude NKUNZIMANA
Ruyigi- Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Olive NKUNZIMANA
Ngozi -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Georges NSHIMIRIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD



Hon. M. Chantal NSHIMIRIMANA
Ngozi- Twa



Hon. M. Jeanne NTAGAHORAHO
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Apolinaire NTAHIMPERA
Muramvya- Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa


Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD


Hon. Zaïnabu NZEYIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa


Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD


Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Hilaire NTAHOMVUKIYE
Kayanza - Tutsi CNDD-FDD

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yasozereye ibikorwa vy'abanyeshure bari mu buruhuko mu ntara ya Bujumbura.



Kw'igenekerezo rya 26 myandagaro umwaka w' 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yarakoze ibikorwa rusangi muri Komine Kabezi Intara ya Bujumbura. Bariko baragura inyubakwa z'ibitaro vy'akarere ka Kabezi biri ku mugwa mukuru w'iyo komine. Ariko kandi kwari kugira asozere ibikorwa vyakozwe n'abanyeshure bo muri iyo ntara ya Bujumbura bari mu buruhuko.

Ari kumwe n'abenegihugu n'abo banyeshure bari mu buruhuko, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarafashije mu gutegura ibeto yokwubaka inkingi ziyo nyubakwa. Iyo nyubakwa ngo ikaba izotwara amafaranga yababa umuliyaridi akaba azova mu ntwaro, mu mahera yinjizwa n'ivyo bitaro, intererano z'abavuka ntara n'abagenzi b'intara ya Bujumbura.

Mw'ijambo ry'ikaze; Musitanteri wa Komine Kabezi yamenyesheje ko iyo komine itekanye ko n'ubusuma bw'ibitungwa bito bwari bwadutse, babuhagurukiye none bwaheze. Ku bijanye no kugwanya za nzoga zitemewe n'amategeko, yamenyeshejeko bariko babigwanya bivuye inyuma kandi ko ibihano vya ruhasha bitegekanijwe kubazinywa, abazikora n'abo bakorana bose. Ku bijanye n'imibano; musitanteri wa Komine Kabezi yamenyesheje ko mu ntumbero yo gushira mu ngiro rya bwirizwa rihasha amabi afatiye ku gitsina ubu ngo bakira benshi baje kwiyandikisha ko bubatse biciye mu mategeko. Ariko ico anegura musitanteri wa Komine Kabezi nuko benshi mu bagabo bari bafise abagore benshi bahitamwo kwandikisha muri Komine abagore bato bagaca baheba abambere bafitaniye abana benshi, ivyo rero ngo bica bitera izindi ngorane zihambaye.

Bulamatri w'Intara ya Bujumbura Nadine Gacuti yarashinye intambwe bagezeko mu bikorwa vy'iterambere muriyo ntara: Ati mu myaka iheze, intara ya Bujumbura yari mu ntara za nyuma mu bikorwa vy'iterambere ariko ngo ubu iyo ntara ifise ishusho nshasha. Yavuze ko abenegihugu bakurikiye abandi mu kwiyubakira inyubakwa rusangi biciye mu bikorwa rusangi. Ku bijanye n'ibikorwa vyaranguwe n'abanyeshure bari mu kiruhuko, Bulamatari w'Intara ya Bujumbura yamenyeshejeko vyabagiriye akamaro kanini kuko hambavu y'ibikorwa abo banyeshure bakora, baciye baja mu mwiherero w'imisi itatu. Muruwo mwiherero bahabwa inyigisho zo gukunda igihugu, izifatiye kw'irondoka rijanye n'amagara meza, kugwanya ibiturire no kwitunganiriza imigambi y'iterambere. Yaciye anashimira abavyeyi barungitse abana babo murivyo bikorwa.

Mw'ijambo ryiwe Nyakubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimye ukuntu iyo ntara ya Bujumbura isigaye yitaho ibikorwa vy'iterambere mugihe mu misi iheze

yafatwa nk'iyanyuma. Yavuze ko abenegihugu b'iyo ntara basigaye bitaba ibikorwa rusangi mugihe hari barongozi b'igihugu bo mu myaka iza; muca muhindura ingendo mu guteza imbere igihugu cabibarutse.



haheze imyaka myinshi abo benegihugu bavugako ivyo bikorwa bikorwa n'abari mu mugambwe uri ku butegetsi. Ati ubu mwarategereye ko iyo mwubatse ishure canke ivuriro, izo nyubakwa zakira abana banyu atagusobanura.

Ku bijanye n'imiliyoni amajana atanu Leta iha amakomine buri mwaka muri wa mugambi wo kwegereza ubutegetsi abenegihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abarongoye komine gukora imigambi myiza kugira ayo mahera ntahave asubizwa mu kigega ca Leta.

Ariko rero nawe nyene arabonako itegeko rigenga gutanga amasoko hari igihe riba intambamyi ku makomine mu gihe bashaka gushira mu ngiro iyo migambi y'iterambere. Yababwiye ko iryo tegeko ririko ririgwa mu Nama Nshingamateka kandi yabemereye ko bazoryiga neza kugira rizanire akarusho abenegihugu.

Ku bijanye n'ibikorwa vyo mu buruhuko bw'abanyeshure, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarabakeje kuba baritanze mu gukorera igihugu. Ati mwarategereyeko ari mwebwe

Yabasavye gukunda igihugu cabo n'ukucishimira. Ati murabaza abahunze igihugu ati ubu baramaze kubona ico bahomvye, ubu bariko basaba ko bosubizwa mu gihugu cabo. Kubijanye n'urwaruka rurota kwigira mu bihugu vyo hanze hari abaciye bafata akaranga kivyo bihugu ariko ntikibuzako baguma bitwa abanyamahanga. Ati bamwe basigaye ari imboregwa abandi



babayeho ku mfashanyo ati murumvako ubwo buzima butabereye. Muhira ni muhira, ni ,muryoheregwe igihugu canyu.

Yaciye rero abahanura kwiga cane bongere bafate ibisata birebire cane cane ku bigeme aho yabwiyeko umugabo wa mbere kandi mwiza atanahemuka ari impamyabushobozi.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarababwiye kandi ibijanye n'amatora twimirije yo muri 2020. Ngo kugira ayo matora agende neza, ni vyiza ko abenegihugu bafata mu minwe kazoza kabo, bige kwitunganiriza ivyabo ata wundi wo hanze abinjiriyemwo. Yaciye abasaba kwitabira akamo ka Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu mu gutanga intererano zabo mw'ibanki zuguruwemwo ama konte yo gutegura amatora. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yavuzeko vyoba ari vyiza; kandi bituma intahe yo kwikukira itsimbatara.

Inyuma y'ivyo bikorwa, abanyeshure bakoze vyo mu buruhuko bongera baja mu nyigisho barahawe amakaye n'ibahasha ririmwo amafaranga yo kwikenura.

**Arlette AKIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abavuka komine ba Mpanda mu guhimbaza umusi mukuru w'amakomine wo muri 2017

Uwomusi mukuru w'amakomine watangujwe mu mwaka wa 2012 na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu igihe Uburundi bwahimbaza imyaka 50 y'ukwikukira. Uwo musi mukuru ukaba uhuza abantu benshi b'ababavuka komine baba aho hamwe n'abandi bakorera ubuzi ahandi mu ntumbero yo guteza imbere amakomine. N'akanya kandi kubavuka komine kubonana n'ababa mugisagara n'abasigaye ku mitumba, baganire bongere basangire ivyo bafise.

Uwo musi mukuru ukaba uhimbazwa buri wagatandatu wa mbere w'ukwezi kw'umunani, uwuyu mwaka wa 2017 ukaba wahimbajwe kuwagatandatu igenekerezo rya 5 myandagaro.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA



Umukuru w'Inama Nshingamateka asanzwe ari imvukira ya Komine Mpanda, yarifadikanije n'izindi mvukira murivyo birori vyabereye ku kibuga ca komine Mpanda.

Ibirori vyatangujwe na defile




ndende yuguruwe n'abakozi ba Komine Mpanda. Bakurikirwa n'iyindi migwi yabakorera aho muri Komine, abanyeshure hamwe n'abakinyi b'umupira w'amaguru.Iyo defile yasozerewe n'imigwi y'imibano iva mu mazone ya Komine Mpanda bakaba bari bikoreye ibifunguwa n'ibinyobwa bazagufungura muruwo musi mukuru.

Uwo musi mukuru kandi waranzwe n'amajambo yavuzwe n'abantu batandukanye hamwe n'intambo. Ijambo nyamukuru ry'uwo musi ryari ryateguwe n'Ubushikiranganji bw'Intwaro yo hagati mu gihugu no gutanga inyigisho zo gukundisha igihugu ryasomwe na Musitanteri wa Komine Mpanda Ferdinand CONGERA. Iryo jambo rikaba rigaruka ku ntumbero nyamukuru y'uwo musi mukuru w'amakomine bishimikira cane cane kw'iterambere ry'amakomine. Icivugo nyamukuru c'uyu mwaka akaba ari : *« gukundana no gufatana mu nda hagati y'abavuka komine n'abahaba bishikana kw'iterambere rirama n'ugukunda igihugu ».*

Muri iryo jambo kandi bakaba barashimikiye ku bijanye n'ibikorwa vy'abanyeshure bari mu buruhuko bagasaba abene gihugu kubashigikira. Muri iryo jambo kandi Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu no gukundisha igihugu yasavye abenegihugu gutsimbataza amahoro n'umutekano biciye mu gukorana mu nyabune.

Musitanteri wa Komine Mpanda yaboneyeho akaryo kandi ko kuvuga kubijanye n'imigambi nyamukuru komine yihaye mu mwaka wa 2017. Ibirasi 23 vyarubatswe n'ibiro vy'abayobozi bo ku mashure shingiro ya Kabamba na Musenyi. Komine ya Mpanda ikaba itegekanya kwubaka ibiro bibiri vy'abakuru b'imitumba isigaye kuko abandi bose bafise ibiro bakoreramwo.

Umukuru w'Inama Nshingamateka

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarashimiye leta y'Uburundi irongowe na Nyenicubahiro Petero Nkurunziza kuba bariyumviriye uwo musi mukuru. Ati n'akanya keza ko kwicara hamwe, bakiyumvira iterambere rya Komine. Ati iyo turi ngaha twese ba sesa nkuyoze ntibaryoherwa. Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye atera akamo abenegihugu gukunda igihugu cabo cane ngo kandi iyo ukunda igihugu cawe vy'imvamutima witegura kukigwanira mu mwanya uwariwo wose. Yaciye atera akamo abenegihugu kwirinda abo bose bashaka kubasubiza inyuma, bavugira inyuma y'igihugu uko igihugu cotunganywa. Abo rero ngo bashaka gusahura ubutunzi bw'igihugu. Yabibukije ko bamwe bemera gukurikira ibitarivyo muri 2015 bamerewe nabi, ati mbega ubu bari hehe ?

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaranababwiye kandi ibijanye n'ibikorwa rusangi asaba abenegihugu bose kwitaba kubwinshi ivyo bikorwa kugira abateze igihugu imbere ubwabo batarinze kurondera imfashanyo zo hanze.

Ku bijanye n'amatora yo mu mwaka wa 2020, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye atera akamo abenegihugu gutanga intererano yo gutegura amatora yo muri 2020 , ayo mahera bakayashira kw'ikonte yuguruwe mw'ibanki nkuru y'igihugu. Ivyo rero ngo bizotuma abansi b'intwaro rusangi babonako abarundi bafashe mu minwe kazoza k'igihugu cabo.

Ku bijanye n'iterambere rya Komine Mpanda, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yatanze impanuro zishingiye ku kugwiza umwimbu mu kuvomera ibitegwa mu gihe c'ici. Yabasavye kandi gukingira isi ndimwa mu kwirinda kwubaka mw'isi imera no kwirinda gutera ibigazi ahagenewe ibiterwa mbumba rugo. Yababwiye kandi ko bokwirinda kunywa inzoga zibujijwe kuko zonona amagara ya kiremwa muntu.

Ubwiwe rero ngo azofasha kuzana amazi n'umuyagankuba mu bice bimwebimwe vy'iyo komine aca asaba abajejwe intwaro nabo gushira mu ngiro umugambi wo kubaka isoko ya kijambere i Nyamabere no gusubiramwo amabarabara y'iyo komine.

Muri uwo musi mukuru, barakurikiranye kandi urukino rwahuje Imigwi y'umupira w'amaguru, Umutima FC wa Komine Mpanda n'uwa Komine Rugombo. Umugwi wa Komine Rugombo watsinze ibitego bibiri ku busa bwa Komine Mpanda. Iyo migwi Umutima FC ikaba irongowe n'Umutambukanyi w'Umukuru w'Inama Nshingamateka.*



Abitanze cane mw'iterambere rya komine barahawe agashimwe; aha tukaba twovuga abana bazibira ibinogo biri mw'ibarabara riva i Bujumbura rija i Bubanza. Uyo musi mukuru ukaba wasozerewe basangira ibifungurwa n'ibinyobwa.

**Florine MUKESHIMANA**

## Umugambi w'abasuwisi ugiye gufasha Inama Nshingamateka

Kuwa gatatu igenekerezo rya 06 nyakanga umwaka wa 2017,Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yarahaye umubonano Umugwi w'abaserukira Umugambi wo gufashanya w'abasuwisi.

Abo baje baserukira uwo mugambi wo gufashanya w'abasuwisi ngo bari baje kuvugana ibijanye n'uko Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka; basavye Inama nkenguzamateka y'Ubusuwisi kubafasha. Iguhugu c'Ubusuwisi ngo kikaba caremeye rero gufasha mu bijanye no gukarihiriza ubwenge Abashingamateka n'Abakenguzamateka hamwe n'abakozi bahakora. Izo nyigisho zikazoshimikira ku bijanye na pôlitike ya leta hamwe n'akamaro k'Imigwi yamaho mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarabashimiye kuko uwo mugambi wo gufashanya hamwe n'abasuwisi, usanzwe ukorana n'Uburundi kuva kera aha akaba yibukije mu gihe

c'ibiganiro vyashizeho Amasezerano ya Arusha hamwe no gufasha mu bisata bijanye n'amahoro n'umutekano. Bahejeje kubonana n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, abo baserukiye umugambi wo gufashanya n'ubusuwisi baciye bavugana n'abarongoye imigwi yamaho mu Nama Nshingamateka kugira bigire hamwe imigambi yoshigwa imbere nukuntu yoja mu ngiro.



**Florine MUKESHIMANA**

# UMUKURU W' INAMA NSHINGAMATEKA YIFADIKANIJE N'ABAKRITSU MU GISABISHO CO KUMUSI W'IMANA

Ku musi w'Imana igenekerezo rya 20 Myandagaro umwaka w' 2017; Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA n'Umutambukanyi wiwe barifadikanije n'abakritsu bo muri paruwasi ya Munanira muri Dioseze ya Bujumbura, hakaba ari mu ntara ya Muramvya.

Uyo musi w' Imana ukaba wari umusi udasanzwe muri paruwasi ya Munanira kuko abihebeye Imana bavuka muri iyo paruwasi ya munanira bava mu miryango itandukanye yo muri ekereziya gatolika hakaba harimwo abapatiri, abafaratiri, abadiyakoni ababikira n'abandi; kugendera iyo paruwasi muyeyi

Uyo musi w'Imana ukaba wari wakoranije kandi imvukira zo muri iyo paruwasi ya munanira ; abagenzi b'iyo paruwasi ya munanira; aha tukavuga Umunyamabanga mukuru w'Umugambwe uri kubutegetsi; abashingamateka n'abakenguzamateka batowe mu ntara ya Muramvya ,Umuyobozi mwishikira mu biro kwa perezida, umunyamabanga akongera akaba n'umuvugizi wa leta, umushikiranganji w'ibidukikije n'abandi.



Muri iyo nkuka ya misa icegera ca musenyeri wa diyoseze nkuru ya Bujumbura Musenyeri Anatole RUBERINYANGE ,inyigisho yashikirije zari zishimikiye kw'ijambo ryeranda dusanga mwibaruwa Paulo yandikiye abaromani aho umukenyezi yasavye yezu kristu kumukiriza umwana wiwe yari yapfuye,amusubize ubuzima naho atari mu uwo mu bwoko bw'abisirayeli bari bagenewe aka gakiza ariko kubera ukwizera Yezu kwiwe aramubwira ati :ukwizera kwawe kuramukijije umwana yongera kuba muzima .Mu nsiguro yatanze Musenyeri Anatole RUBERINYANGE yarashimikiye kw'ijambo ry'urukundo aho yahanuriye abakristu bose gukundana nk'uko ijambo ry'Imana ribivuga ko umuntu ategerezwa gukunda mugenzi we nk'uko yikunda. Yaranigishije ko uwariwe wese yoshira imbere kuvugana ukuri na mugenzi we hamwe no gushira imbere ubutungane n'urukundo,hamwe rero no gutsimbataza umuvukano.

Inyuma y'iyo nkuka ya misa Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yararonse akaryo ko kuvugana n'abakristu bo muri

paruwasi ya Munanira. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba



yabanje gushima vy'umwihariko kuba iryo genekerezo rya 20 myandagaro ariryo umukuru w'igihugu yarahiriyeko mu mwaka z' 2015 ,rihwanye n'umusi yasubirijeko amabanga yo kurongora umugambwe CNDD-FDD hakaba hari kw'igenekerezo rya 20 myandagaro umwaka w'2016. Akaba rero yarashimishijwe nuko iryo genekerezo rishitse yicaranye mu ngoro y'Imana n'uwa mukoreye mu ngata mu kurongora uwo mugambwe CNDD-FDD ariwe Munyabanga mukuru w'uyo mugambwe kurwego rw'igihugu; Evariste NDAYISHIMIYE. Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarakeje vy'umwihariko Umukuru w'Igihugu ku myaka ibiri irangiye yongeye kwizerwa n'abarundi ngo arongore igihugu akaba yamwipfurije kuroranirwa muri vyose no kuzigamwa n' Umukama; co kimwe n'uwamukoreye mu ngata nawe nyene akaba yamwipfurije kuroranirwa no guhabwa ubushobozi buva ku Mana na cane cane ko ari amabanga ahambaye yo kurongora umugambwe uri ku butegetsi.

Umukuru w'Inama Nshigamateka mu butumwa yahaye abakristu, yarashimikiye kubintu bine bitegerezwa kuranga umukristu w'ukuri. Harimwo urukundo, ukwicisha bugufi, ukwihangana hamwe no kugira ivyizigiro muri vyose.

Yarabandanije agira ati : umukristu ategerezwa kugira ingeso nziza akaba akarorero mu kibano akerekana urukundo no kwitwararika abandi mu gusabikanya bike baba bafise ntihagire umubanyi abararana ubusa canke ngo yicwe n'inzara kandi bafise ivyuzuye, bamwe biri mu bituma vyambere biteza umubano mubi n'ingorane mukibano. Umukuru w'Inama Nshingamateka yaranahanuriye abakristu kubumbwa nivyo bafise kandi bakaryohererwa ugutera intambwe canke gushirwa hejuru kwa mugenzi wabo . Yarongeye ko ababazwa n'ingene ubu bamwe mubakristu aho kunezererwa iyo hagize uwutera imbere bagira ishari bati birya aronse natwe twari tubikeneye.

Yaragize n'ico ashikirije ku bijanye n'ukwihangana hamwe rero no kugira ivyizigiro .Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yamenyesheje ko haraho umuntu ahura n'ibibazo ku buryo abonako birangiye agashika no ku rugero rwo kwiyumvirako Imana yamuhevye. Ati Imana ntiyigera icererwa ikorera ku mwanya wayo, n'inyuma ya zero irakora ,aboneraho guhanurira abakristu kugumana ivyizigiro no kwihangana bakarindira inyishu y'Imana.
Mu gusozera ,Nyakwubahwa



bakanabimena.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje ko umukristu yakiriye Yesu nk'Umwa,i n'umukiza, arondera na ntaryo kubana neza n'abandi akirinda urwanko, inzigo n'ishari kuko ivyo

Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yasavye abo bihebeye Imana gushigikira amashirahamwe yo kwiteza imbere kugira ngo haboneke akazi k'urwaruka aho hakaba ari mu ntumbero yo kurwanya ubushomeri.

**Providence NIKIZA**

# Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye inama y'imvukira z'intara ya Bubanza.

Kw'igenekerezo rya imvukira z'intara ya Bubanza barahuriye ku murwa mukuru wa zone Muzinda komine ya Rugazi kumvo zibiri; arizo gushiraho ishirahamwe ry'imvukira ya Bubanza hamwe n'ibijanye n'iterambere ry'intara.Iyo nama yari yitabwe kandi n'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal Nyabenda.

Bumvikanye ko igikorwa cihutirwa arico guheraheza ibiro vy'intara hanyuma hazoce hakurikira kwubaka ikibuga ca kijamabere ca Bubanza. Imbere yo gusozera iyo nama, buramatari w'intara ya Bubanza yasavye abanyabubanza gukunda intara yabo abahamagarira gukora ivyo bashoboye kugirango bateze imbere iyo ntara.

Mw'ijambo ryiwe ryo kwugurura Musitanteri wa komine Rugazi yabanje guha ikaze abari aho bose avuga ko amahoro n'umutekano bisasagaye hose muri komine Rugazi. Buramatari w'intara ya Bubanza Tharcisse NIYONGABO yarashikirije uko vyifashe muri politike n'imibano yongera gushimangira amenyesha ko amahoro n'umutekano birangwa mu ntara yose. Yamenyesheje ko abajejwe intwaro babandanya wa mugambi wo kurwanya inzoga zitemewe n'amategeko yongera ko bariko barahimiriza abenegihugu kwitwararika kwandikisha ubugeni. Ku bijanye no guhimiriza abenegihugu ngo abukubaka izabo babicishije imbere y'amategeko, yavuze ko bageze ku rugero rwa 98 kw'ijana z'ingo nzari zibanye zitazwi n'amategeko. Yarashikirije kandi imigambi y'iterambere iriko iraranguerwa mu ntara hamwe n'inyubakwa zizokwinjigwa.

Agaruka ku vyari vyabakoranije, yaciye atanga umwanya ku muntu wese ashaka gushikiriza ijambo.

Mw'ijambo ryiwe Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimye cane ico ciyumviro co gushinga ishirahamwe ry'imvukira z'intara ya Bubanza aca amenyesha ko ari akaryo keza ku mvukira kuko bazoronka akanya ko kuganira ku migambi y'iterambere. Muri uko kungurana ivyiyumviro benshi barashikirije ivyifuzo vyabo bakongera bagakenguruka uwo mugambi mwiza. Barameneyesheje ko hazokwugururwa igisata c'ishure rya kaminuza rizoba ari ishamyi rya kaminuza y'Uburundi kikazoba kiri k'umusozi wa Nyamugerera.

**Jean Baptiste Claude NIJIMBER**

# Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoze ibikorwa rusangi mu ntara ya Ruyigi

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yaritavye ibikorwa vy'iterambere rusangi mu ntara ya Ruyigi hakaba hari kw'igenekerezo rya 26 myandagaro 2017 akaba yaraherekejwe n'Abashingamateka n'abakenguzamateka batowe mu ntara ya Ruyigi. Ivyo bikorwa vyarivyo kuvanga umusenyi n'isima yo gushira mu vyumba bazoza barihinduriramwo abakinyi ku bibuga Rumuri ca Ruyigi. Ico kibuga kikazohava kironswa umusezero wa kijambere.

Inyuma y'ivyo bikorwa; Umuhanuzi Mukuru wa Buramatari wa Ruyigi yarahaye ikaze abantu bose bari bitavye ivyo bikorwa .Yarashimiye bimwe bigaragara abakozi b'Ishirahamwe INSS bari baje kwifadikanya n'abanyaruyigi muri ivyo bikorwa vy'iterambere aca abasaba ko bogubwa neza muri iyo ntara ya Ruyigi kubera amahoro n'umutekano bisasagaye muri iyo ntara ya Ruyigi. Uwaje arongoye abakozi bo muri INSS mw'ijambo ryiwe yaribukije ko abakozi bo mw'ishirahamwe rya INSS bijukiye ibikorwa vy'iterambere, ari naco gituma baje kwifatanya n'abanyaruyigi muri ivyo bikorwa vyo ku munsi wa gatandatu.Mu guheraheza ijambo ryiwe yarashikirije ingabire bari baje bitwaje ingana n'imifuko ijana y'isima kugira bashigikire ivyo ibikorwa vyo kwubaka ico kibuga.

Mw'ijambo ryiwe Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaribukije akamaro ko kwinonora imitsi akavuga ko ico kibuga kizofasha mu kwinonora imitsi. Yasavye abaraho gukeza Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu cacu ku mugambi mwiza yashinze wo kwubaka ibibuga n'izindi nyubakwa z'iterambere. Ntiyibagiye gutanga impanuro ku bijanye n'umugambi wo kuvyara ku rugero hamwe no kwandikisha ubugeni kubashaka kubana. Umushingamateka Jocky Chantal Nkurunziza yaragarutse no ku bijanye no gukingira ibidukikije mu kurwanya imiriro ya nyakanga. Yarabasavye kurwanya inzara mu kwitaho ibikorwa vyo mu mirima, bagatera imbuto zitandukanye . Mu gusozera ijambo ryiwe yasavye abenegihugu bo mu Ruyigi kurungika abana mu mashure, na ririya ari mu gutangura, yabandanije abasaba kubungabunga amahoro n'umutekano vyo nkingi y'iteramabere.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

# Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye ibirori vyo guhimbaza umunsi wahariwe amakomine wo muri 2017, muri komine Butezi.

Umunsi wahariwe amakomine wama uhimbazwa ku munsi wa gatandatu wa mbere w'ukwezi kwa myandagaro. Uwo muri 2017 ukaba wabaye ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya 05 myandagaro 2017. Uwo munsi ukaba watanguye guhimbazwa kuva mu mwaka wa 2012 kakaba ari akaryo ko kuyaga iterambere ry'amakomine.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ; Umushingamateka NKURUNZIZA Jocky Chantal akaba yarifatikanije n'abavuka ntara muri ivyo birori vyabereye ku kibuga c'umupira co ku mutumba Mubira muri komine Butezi.

Imbere yo gutangura ivyo birori , icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoze ibikorwa bitari bike. Aho twovuga nko kugendera abarwayi ku bitaro vy'i Butezi aho yari agiye abashiriye umuceri, ibikwembe n'amata ahinguye.

Ibikorwa yabibandanirije ku kibuga c'umupira w'amaguru aho yuguruye icese urukino rwahuje imvukira za komine Butezi basanzwe baba i Bujumbura n'abasanzwe baba i Butezi. Ikindi gikorwa cari ico kwugurura icese ibiro vy'ishure ryisumbuye rya Mubira.



Ibirori vyabandanirije ku kibuga ca zone Mubira aho bariko bariginana biciye mu mvyino zitandukanye. Ijambo ry'ikaze ryashikirijwe na musitanteri wa komine Butezi aho yerekanye ivyaranguwe na komine.

Uwaserukiye imvukira ziri mu ma shirahamwe atandukanye ariko batataba mw'iyo komine yarakengurukiye imvukira zose ku ruhara bagize mu guteza imbere ikomine yabo.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka nawe mw'ijambo ryiwe yasavye abari ngaho gukunda igihugu cabibarutse, bakagiteza imbere, bahereye ku mutumba bavukako.

**Pétronie BUCUMI**

# Ibibazo vyunganirwa vyashikirijwe abashikiranganji babiri bari baserukiye leta.



Umugwi udasanzwe w'Abashingamateka uzogira amatohoza, uri mugushirwaho n'Inama Nshingamateka. Ivyo ni ivyapfundikiwe mu nama y'abarongoye Inama Nshingamateka bishikirizwa mu nama ya bose ku wa 30 Myandagaro 2017 aho abashikiranganji babiri bariko barishura ku bibazo vya ba nyakwubahwa Abashingamateka mu nama isanzwe. Abo nabo bari Umushikiranganji w'ubutungane KANYANA Aimée Laurentine, n'Umushikiranganji w'agateka ka zina muntu n'ugushigikirana NIVYABANDI Martin.



Inama Nshingamateka ikaba yarerekanye aho ihagaze ku bijanye n'urukurikirane rw'ivyegeranyo vy'ibinyoma bimaze iminsi birungikwa n' ibihugu vyunze ubumwe vya Amerika. Muri make rero kuri abo bahinga baraba ivy'agateka ka zina muntu ngo kuva igenekerezo ya 23 ndamukiza 2015 kugeza ubu, ntacahindutse. Abashingamateka bamwebamwe bakavuga ko ahubwo vyoba vy'ararushirije kuba bibi. Ivyo bakaba barishimikiza ibitigiri basomye mu cegeranyo cagizwe n'Umugwi w'Igihugu ujejwe gukurikirana ivyagateka ka zina muntu CNIDH. Umushikiranganji w'Ubutungane akaba yarerekanye neza ko uko ibintu vyari muri 2015 mu gihe c'imigumuko ataho bisa bisana n'ivyo muri iyi myaka : abafungwa baratezuriwe, imanza ziracirwa mu kiringo gito kandi zishirwa mu ngiro, amabohero aragenzurwa ku ndwi ku ndwi, abacamanza barakarihirizwa ubwenge harigwa ko hoshigwako umugwi wo gucungera abagiriji ;bamenyeshwa ko umwe wese tegerezwa kudakingira ikibaba umwicanyi.

Ku vyerekeye kunyuruzwa mu mabohero , KANYANA Laurentine yavuze ko umwidondoro w'umuntu ukenerwa cane. Niba ivyo vyarashitse, biriko bikurikiranwa. Kugira iyo ngeso ihashwe kuva ubu, ku mutahe wo guhagarika umucamanza bazoza barashirako izina n'igituma. N'abategetsi bo hejuru bakabimenyeshwa.



Ku vyerekeye ivyegeranyo vy'umugwi w'igihugu uraba ivy'agateka ka zina muntu CNIDH yavuze ko uwo mugwi uraba ibirego gusa ariko utaraba abakoze ivyo vyaha. Ico kikaba ari igikorwa c'Ubutungane. Yatanze akarorero avuga ko ibirego bishobora gutangwa ari ibihumbi bibiri(2000) inzego zibijejwe zimaze kuvyihweza bagasanga ijana (100) nizo vyukuri ari imanza. Yaciye asaba CNIDH iba yagiye kuraba ibibazo, ko boza barasubira mu butungane kugira bababwire uko vyifashe n'aho bigeze. Umushikiranganji w'agateka ka zina muntu n'ugushigikirana NIVYABANDI Martin yavuze muri rusangi ko baravye ingene abarundi bubahiriza agateka ka zina muntu yabahaye ahubwo amanuta 80 kw'ijana. Ati mu bindi bihugu urwaruka rujanwa mu ntambara bakiri bato cane, imigenzo y'ikirundi ikaba ibuza no kurya urwara mugenzi wawe ; akaba yavyerekanye ashaka gusigura ingene ukwubahiriza agateka ka zina muntu biri mu maraso y'abeneburundi. Agatangazwa nuko hariho ibihugu bimwebimwe agateka ka zina muntu



gahonyangwa nko muri Afghanistan, Siriya na Libiya bitigera bivugwa nkuko Uburundi buvugwa. Ati uko tubizi igihugu kiri mu ntambara niho agateka ka zina muntu gahonyangwa.

Igihugu c'Uburundi casavye kuva muri Sentare Mpuzamakungu Mpanavyaha umwaka ukazokwira mu kwezi kwa gitugutu 2017; ba Nyakwubahwa Abashingamateka bakaba baragize amakenga ko ubwicanyi bushobora kwiyongera gusumba. Umushikiranganji Aimée Laurentine KANYANA yarabahumurije avuga ko urwego rw'ubucamanza ruri ku kivi. Ati kanatsinda iyo sentare mpanavyaha ikaba iseruka mu bihugu birimwo ingorane; inama nkuru y'Umutekano ibanje gukorana. Umushikiranganji w' Ubutungane akaba yabamenyesheje ko abiyumvira ko hari abantu badahangarwa ko ivyo bitabaho ko ata numwe ari hejuru y'Ubutungane.

Nayo ku vyerekeye ubutunzi bw'abahunze, yarabahumurije, ko bwabungabunzwe aca yongerako ati kubari bafise amadeni mu ma banki ko bahawe amezi abiri kugira batunganirize ayo ma banki.

Izo ntumwa za leta bakaba barahanuye ba nyakwubahwa Abashingamateka ko batokwitiranya ibintu. Mu gihe umu umunyepolitike afashwe ariko agirisha inama itemewe n'amategeko ko yovyemanga. Mugihe umwe wo mu rwaruka ruri mu mugambwe CNDD-FDD akoze icaha, agiharurweko we ubwiwe ariko ntibashire ico caha ku muhari wose w'Imbonerakure. Ni co kimwe no mu bamenyeshamakuru.

Mwomenya ko igenekerezo rya 31 myandagaro 2017 ariho Abashingamateka bemeza ata numwe avuyemwo ishirwaho ry'uwo mugwi wasabwe n'Abashingamateka. Uwo mugwi udasazwe w'abashingamateka ukaba uzoba ujejwe kwihweza icegeranyo cashikirijwe mu kwezi kwa myandagaro 2017, washikirijwe n'umugwi ujejwe gutohoza ku burundi; washizweho n'inama nkuru y'umutekeno iraba ivyagateka kazina muntu. washizweho n'inama y'umuryango iraba ivy'agateka ka zina muntu mu bihugu vyunze ubumwe.

Uwo mugwi rero ukaba uzoshikiriza mu nama ya bose ivyo bazoba batohoje kuri ico cegeranyo . uwo mugwi ugizwe n'abashingamateka 12 ukaba urongowe n'Umushingamateka NZIGAMASABO Révérien ukaba ufise ikiringo c'amezi atatu duhereye mu kwezi kwa Nyakanga 2017.

**Pétronie BUCUMI**

# Kwihweza no kwemeza Integuro y'Ibwirizwa rishiraho Umugwi w'Igihugu ujejwe gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko n'amabi akorwa mu ntambara

« *Nta honyabwoko rizosubira kuba mu Burundi* » vyemejwe n'Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugu.Umushikiranganji BARANDAGIYE Pascal yabishikirije mu nama ya bose yo ku wa 9 myandagaro 2017 yari yerekeye kw'ihweza no kwemeza Integuro y'Ibwirizwa ishiraho ikigo c'igihugu kijejwe gukinga no kurandurana n'imizi amabi akorwa mu ntambara n'ihonyabwoko ; iyo nteguro y'ibwirizwa ikaba yaratowe ijana kw'ijana.



Itegeko n° 1/010 ryo ku wa 18 ntwarante 2005 rishiraho ibwirizwa Nshingiro ry'Uburundi , mu gace karyo ka 268 kugira abenegihugu bagire uruhara ruboneka mu gucungera ubutunzi rusangi, leta irashiraho Inama y'igihugu ; ni ivyashikirijwe n' intumwa ya Leta y'uwo munsi .munsiguro yatanze yavuze ati :

- «Umugwi w'igihugu uraba ivy'ubumwe bw'abarundi n'ukunywanisha abarundi ;
-Umugwi w'Igihugu ujejwe gukinga n'ukurandurana n'imizi ihonyabwoko n'amabi akorwa mu ntambara ;
-Umugwi w'i Gihugu ujejwe umutekano ;
-Umugwi ukurikirana ivy'Ubutunzi n'Imibano ;
-Umugwi ujejwe ivyo guhanahana amakuru »; yavuzeko

muri kino gihe siko biri muri iyo migwi twavuze yose, hariho iyidakora ico ijejwe, ndetse n'iyitabaho.yatanze akarorero k'Umugwi w'igihugu ujejwe gukinga n'Ukurandurana n'imizi ihonyabwoko n'amabi akorwa mu ntambara n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu igengwa muri kino gihe n'itegeko n°1/014 ryo ku wa 22 nyakanga 2003 rishiraho ico kigo c'igihugu kijejwe gukinga n'ukurandurana n'imizi ihonyabwoko n'amabi akorwa mu ntambara n'ugukumira.

Tunaretse ivyo, ibwirizwa Nshingiro ryo muri 2005 ryarahinduye izina ry'uwo mugwi n'ico ujejwe. Ryakuyeko ijambo « ibindi » yari ku mugwi w'amajambo « amabi akorwa mu ntambara » yongera ikurako ijambo « gukumira »ryatuma haba amadidane, ari naho havuye iryo zina ryiyo nteguro y'ibwirizwa dufise ubu. Yaheraheje avuga ko bihweje akamaro kico k'ico kigo mu ntwaro rusangi iyo Nteguro y'Ibwirizwa ije gushira ahabona ibwirizwa ryo muri 2003 ryashizweho umukono mugihe hakora Ibwirizwa Nshingiro ryo mu ntwaro mfatakibanza, kugira risubirwemwo hisunzwe ibihe tugezemwo.



Umushingamateka umwe niwe yavuze ko ubwicanyi mu Burundi bwarengeje. Ati umwana

w'umuhungu ntatinya gucumita imbugita uwamuvyaye, umugabo akaniga uwo bubakanye, hakiboneka ubwicanyi butandukanye ; ku bwiwe akabona ko indunduro y'ivyo hashobora kuba ihonyabwoko. Uwaje aserukiye Leta akaba ko ata bwicanyi buhari kiretse abansi b'igihugu bashatse kuremeka inteba ishushe igihugu. Ijambo « ihonyabwoko » niryo n'amakungu yitwaza kugira bahohotere igihugu kanaka. Ubwicanyi bubaye si ukuvuga ko ari ihonyabwoko kuko ihonyabwoko



yaramuhumurije ko ivyo yumva vyose atari vyo. Ati iryo jambo « ihonyabwoko » ryabaye nk'ikigwanisho c'abanka Uburundi. Ivyabaye muri 2015 vyarerekanye neza ko abavuga amajambo asa nayo bose, bari abashaka gutembagaza ubutegetsi bwishiriweho n'abenegihugu.
Abarundi baramaze kurengana ugusubiranamwo kw'amoko barashoboye gusimba umutego wari imbere yabo ; watezwe n'inyanka burundi. Bari biteze ko abarundi bazofatwa n'uwo mutego canke leta ikanyerera. Imigambi yabo yose yabaye impfabusa kubera ko abarundi bagumye bafatanye mu nda. Amareresi yarakinywe avuga ko hashobora kuba ihonyabwoko mu Burundi imbere yuko imyiyerekano itangura muri 2015. Uburundi mbere bwaritwaye mu butungane bwiyamiriza ireresi y'ubwicanyi bavuga ngo ni ivyabaye mu Burundi kandi ari ivyabereye mu gihugu kimwe co mu burengero bwa Afrika.

Abandi Bashingamateka baravuze rirafise ikiryerekana ntibitiranye ibintu. Hari ivyo bafatirako kugira bavuge ko ubwicanyi ari ihonyabwoko. Ubwicanyi bugizwe na Leta iranabutegura. Abashingamateka barabajije bati :Ikigo c'igihugu kijejwe gukinga n'ukurandurana n'imizi ihonyabwoko n'amabi akorwa mu ntambara kiza gutangura gukora vuba ariko itegeko mpanavyaha ryo ryaramyeho. None bazokorana gute ?
Umushikiranganji BARANDAGIYE Pascal yavuze ko abafise ububasha kuri ico kigo ca Leta, ari Leta yo nyene; Inama Nshingamateka hamwe n'Inama Nkenguzamateka.Ariko ico ntikibuza ko uwobona wese icomutera amakenga muri ico kigo kitomubuza kubishikana imbere na cane cane amakosa ahanwa n'itegeko mpanavyaha. Ico kigo kandi kizoza gitezurira bamwe bamwe kuko kijejwe guteza imbere umugambi w'igihugu ugizwe n'ubwoko bwose; urwanya ihonyabwoko; amabi akorwa mu ntambara n'ayandi mabi akorerwa abantu, n'ukurwanya ivyo gufatira mu kivunga ndetse n'uguteza imbere itegeko rigwanya ihonyabwoko, ugushiraho amategeko arwanya ihonyabwoko amabi akorwa mu ntambara n'ayandi mabi akorerwa ikiremwa muntu; ikongera ikabikurikiranira hafi n'ugushiraho politike yo gufasha abakozweko n'iryo honyabwoko n'amabi akorwa mu ntambara n'ubundi bubisha bukorerwa ikiremwa muntu.

Abashingamateka kandi baribajije igituma ico kigo catevye gushirwaho bati ni gute rizokora kandi umugwi ujejwe ukuri n'ukurekurirana CVR utarashira ahabona ivyo watohoje ? Uwari yaserukiye Leta yavuze ko Nshigwaho ry'ico kigo ari ukugira bubahirize ibwirizwa shingiro. Tunaretse ivyo, CVR n'ico kigo, birafise ico bisangira kuko CVR ariyo izoha ico kigo ivyo rizokoresha. Ikindi kandi igihe CVR ifise ikiringo gihera, ico kigo coco kizokwamaho, gusa abayigize nibo bazohindagurika. Banyakwubahwa abashingamateka bahavuye batahura ko ico kigo iyo kiza kubaho nico cari kuza kirabeshuza ibirego vyama bitangwa ku Burundi kuva muri 2015 . Umushikiranganji BARANDAGIYE Pascal akaba yarabahumurije ababwira ko « aho gupfa wozanzama ».

**Pétronie BUCUMI**

J Baptiste Claude NIJIMBERE


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**

Providence NIKIZA

**ABANDITSI**

Florine MUKESHIMANA
Arlette AKIMANA
Pétronie BUCUMI
J Baptiste Claude NIJIMBERE
Christine NAHIMANA

**AMASANAMU**

Richard NDAYISENGA
J Baptiste Claude NIJIMBERE



Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07